Ubona gute mu gihe nosenga amasengesho-bwirizwa, nkapfunga ukwezi kwa Ramadhani, nkubahiriza amabwirizwa y'ibirekuwe nkabikora, nkubahiriza n'amabwirizwa y'ibizira nkavyirinda

Mu vyakiriwe na Jaabiri (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko hari umugabo yigeze kubaza Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ati: " Ubona gute mu gihe nosenga amasengesho-bwirizwa, nkapfunga ukwezi kwa Ramadhani, nkubahiriza amabwirizwa y'ibirekuwe nkabikora, nkubahiriza n'amabwirizwa y'ibizira nkavyirinda, hanyuma sindenze na kimwe kuri ivyo ndondaguye, nokwinjira mu Bwami bw'ijuru?". Intumwa yishuye iti: "Ego cane". Wa mugabo aca avuga ati: "Ndarahiye kw'izina ry'Imana Allah! Sindota ndenza na kimwe kuri ivyo".

[رواه مسلم] [صحيح]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) arerekana neza na neza ko uwusenze amasengesho atanu abwirijwe ku musi hanyuma ntihagire isengesho ry'inyongera "nawaafili" arenzako; agapfunga ukwezi kwa Ramadhani hanyuma ntihagire amapfungo y'inyongera yongerako; akemanga izirurwa ry'ibirekuwe maze akabikora, akanemanga iziririzwa ry'ibizira maze akirinda kubikora, azoheza akinjira mu Bwami bw'ijuru.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/65003